Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Isezerano Imana yahaye Aburahamu

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Kera cane inyuma
y'umwuzure, abantu
bari kw'isi bagize
iciyumviro.

“Twubake igisagara kinini gifise n’umunara uduga gushika kw’ijuru. Tuzoshobora kuba hamwe imyaka yose.”
Bose bavuga ururimi rumwe.


Imana yashaka ko abantu
baba ahantu hose kw'isi
yari yaremye. Hanyuma
ica ikora ikintu
kidasanzwe.

Bukwi na bukwi, imigwi y'abantu
itangura kuvuga ibitandukanye.
Imana yari ibahaye
indimi zitandukanye.

Abavuga ururimi rumwe baca baja hamwe. Birashoboka ko bari bafise ubwoba bw'abantu batashobora gutahura ururimi

rwabo.

Muri ubwo buryo, ...

... Imana itegeka abantu kwuzura mubihugu vyose vyo kw'isi. Ico gisagara bari bahagaritse kwubaka gica citwa Babeli,

risigura ngo kuzazanirwa.

Inyuma y'imyaka itari mike, mukibanza citwa Uri i karudaya, Imana ibwira umuntu yitwa Aburamu. "Va mu gihugu cawe" Imana iramutegeka. "Ja mu gihugu nzokwereka."



Aburamu arumvira. Imana iramurongora gushika i kanani. Umukenyezi wiwe Sarayi n'umuhungwabo Loti bajana nawe.



I kanani, Aburamu na Loti bahahindukira abatunzi. Bari bafise imikuku myishi y'ibitungwa. Ntaburagiro buhagije bw'ibitungwa bari bafise.

Abungere ba Loti barashwana n'abungere ba Aburamu. "Ntidushwane", Aburamu aravuga: "Dutegerezwa gutandukana. Loti, hitamwo aho ushaka kuja."

Loti ahitamwo ikiyaya ciza gitotahaye kirimwo ibisagara n'imitumba. Ivyo vyasa neza. Ariko ivyo bisagara vyarimwo ibibi vyishi.

Inyuma yo kugenda kwa Loti, Imana isubira kubarira Aburamu. "Nzoguha igihugu c'i kanani ucegukire. Nzogiha kandi
n'abana bawe."

Aburamu na Sarayi nta mwana bari bafise. Ni gute Imana yashobora kuzigama iri sezerano?

Abagabo batatu barungitswe n'Imana bagiye kuramutsa Aburamu na Sarayi.

“Mugihe gito muzoba mufise umwana”, barababwira. Sarayi atangura gutwenga. Ntiyizera ico Imana ivuze.

Imana ibwira Aburamu ko
kuva ubu azokwitwa Aburahamu
kandi ko Sarayi azohinduka Sara.

Imana ibwira
Aburahamu kandi
ko azosambura
ibisagara
bikorerwamwo
ivyaha vy'i sodomu
n'i
gomora.

Loti umuhungwabo wa Aburahamu yaba i sodomu hamwe n'umuryango wiwe.
Loti yumvira imburi y'Imana, ariko abakwe biwe baranka kuva i sodomu.
Mbega icago!
Ntibumviye ijambo ry'Imana.

Loti n'abakobwa biwe babiri nibo bonyene barokotse. Umucanwa n'amazuku vyaguye kuri

ivyo bisagara birabiturira.

M'umubabaro mwishi, umugore wa Loti yanka kwumvira Imana hanyuma ahindukira



kuraba inyuma.

Ubwo nyene aca ahinduka inkingi y'umunyu.

Imana yarashikije isezerano
yari yasezeraniye
Aburahamu
na Sara.
Baravyaye
umwana n'aho
bari bashaje,
nk'ukw'Imana
yari yabibabwiye.
Mbega umunezero
bagize igihe
isaka yari avutse!

Birashoboka
ko Aburahamu
yaciye yiyumvira
no kw'isezerano
Imana yari
yamuhaye ko
izomuha
be n'abana
biwe igihugu c'i
kanani.

Imana kandi yarashikije iri sezerano. Imana yama ishitsa amasezerano yayo.

Isezerano Imana yahaye Aburahamu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 11-21

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi: Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16